Uwo uri wese ubahirizwa

*Umuhari uharanira agateka ka zina muntu mu Burundi¨ITEKA¨ **LBDH** mu mpunyappfunyo*

*Ishirahamwe riharanira agateka ka zina muntu n'ako apfungwa Burundi. **APRODH** mu mpfunyapfunyo*

### *UMUGAMBI USANGIWE NA APRODH - UMUHARI ITEKA*

**Igice n°1**

# IREKURWA RYA GÉNÉRAL ALAIN GUILLAUME BUNYONI: KUVA KU NGUVU Z'ITEGEKOKO TUJA KW'ITEGEKO RYO KU NGUVU




Général Major Evariste Ndayishimiye.
Président de la République du Burundi depuis le 18 juin 2020



Général Alain Guillaume Bunyoni.
L'ancien Premier ministre burundais depuis juin 2020.
Démis de ses fonctions en septembre 2022.

***Umugambi« Ibikorwa hagati y'impome zine z'ibohero mu Burundi »*** urihweza ukuri hamwe n'ibitagenda neza mu gukwirikirana imanza z'abapfungwa.Ibintu bidasanzwe bizoshigwa ahabona mu gice kugura bahimirize Reta y' u Burundi gushira imbere inguvu z'itegeko aho gushira imbere itegeko ryo ku nguvu. Hejuru y'ivyo bidasanzwe, ivyegeranyo bikorewe hamwe vyerekeye uko bimeze mu mabohero bizokorwa vyongere bishirwe ahabona.Mu bisanzwe,impanuro canke hamwe n'ubufasha bizotangwa ku mbohe zibikeneye gusumba izindi.

***Téléphone:+256 792 671 349 & +32466414086***


RWANDA
BUJUMBURA
BUTANYERERA
BUHUMUZA
GITEGA
LAKE
TANGANYIKA
DRC
BURUNGA
TANZANIA
N
E
S
W

**APRODH**: *Ishirahamwe riharanira gukingira agateka ka zina muntu n'ako abapfunzwe mu Burundi*

**CNIDH:**Umugwi w'igihugu wigenga uharanira agateka ka zina muntu

**CNDD-FDD:** *Ihuriro ry'igihugu riharanira gukingira intwaro rusangi-urwego rukingira intwaro rusangi*

**CVR:** Umugwi ujejwe ukuri n'ukurekuriranira

**ONU: Ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe**

**ONG:** Ishirahamwe ritegamiye Reta

**UE:** Ubumwe bwa burayani

**USA:** Reta zunze ubumwe bwa Amerika

## *URUTONDE RW'IBIRIMWO*

I. INCAMAKE Y'IVYAKOZWE....6

II. IBISABWA....7

III. INTUMBERO Z'ICEGERANYO....9

IV. UBUHINGA....9

V. UBUREMERE BW'INGINGO Z''ITEGEKO HAMWE N'UKUNGANIASHA IMBERE Y' AMATEGEKO....9

V.1.UGUKUMIRA BIGUMA VYIBONEKEZA MW'IBOHERO....10

V.1.1. IKUMIRA RIPFUNGA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO....10

V.1.2. IKUMIRWA MU BIJANYE N'UKUVURWA....11

V.2.INGINGO YO KUREKURA ABAPFUNGWA KUMVO ZO KWIYAMAMAZA....13

VI. UGUSOZERA....14

## VYEREKEYE : UKUNEGURA MURI MAKE "UBUNENGE BURI MU MABOHERO YO MU BURUNDI" BISHIKIRIJWE NA APPRODH N'UMUHARI ITEKA

***Prof. Dr. Didace KIGANAHE: Ancien Ministre de la Justice et Garde des Sceaux***



Icegeranyo gikorewe hamwe c'amashirahamwe abiri azwi neza mu guharanira agateka ka zina muntu gikora ku bisata shingiro mw'itunganywa ry'abanyagihugu muri rusangi cane cane hamwe no emu burongozi bw'amabohero.

Dufatiye ku mwihwezo w'ibintu biboneka ariko atari na vyose abapfungwa babayemwo mu mabohero yo mu Burundi,icegeranyo gishira ahabona ubunenge bubiri buhonyanga umushinge shingiro w'amategeko yose y'Uburundi, nk'ibwirizwa shingiro ry'Uburundi hamwe n'uburenganzira mpuzamakungu ku gateka ka zina muntu,nko mugushiraho ingingo zubahiriza itegeko mu ntumbero yo kwaka uburenganzira umuntu ku ruhande rumwe ,hamwe n'ugushira mungiro ku rugero rumwe itegeko kuri banyagihugu bose.

Icegeranyo gituma urutoke ku bintu biboneka vyo kwakwa umwidegemvyo biciye kubiri n'am'tegeko,nk'iyo abanyororo bejejwe canke bagaheza umunyororo bakatiwe ariko kuri bamwe bamwe bakagumizwa mu munyororo kubera abarongozi bo muri poritike babishatse vyonyene.

Icegeranyo kiranashira ahabona ishirwa mungiro rivangura ry'itegeko ritanga uburenganzira bwo kwivuza rikabuhaabegereye ubutegetsi buhari,

Ivyerekeye Général Bunyoni, yahoze ari igihangange mu gihugu,hanyuma umupfungwa yafashwe nabi, hamwe n'ibindi bubahwa bashizwe hasi vyobaye icigwa no ku ntwaro ihari :

" Isi ntirisakaye".Igisata c'amabohero ubutegetsi bufata nk'agace katagira uburenganzira,ejo burashobora gucayo naho hoba umwanya muto.Vyiza hotunganywa neza amategeko akoreshwa kuriwe.

Itunganywa ry'ubuzima mu busho bwo mu burundi nta nkeka rifise ubunenge bwinshi,ariko ubwatororokanijwe n'iki cegeraniyo ni nyamukuru.Urashobora kugumizwa mw'ibohero ata tegeko na rimwe rikurikijwe ku ruhande rumwe,kandi n'iyo hari uburenganzira umupfungwa yari arekuriwe,bwagenewe abegereye umugambwe uri ku butegetsi ku rundi ruhande.

Mu gusozera mu mabohero yo muburundi ubu ari mu karere katagira uburenganzira n'itegeko.

Icegeranyo kigira urukwirikirane rw'ibisabwa aho ishirwa mungiro ryavyo ryoshobora gutuma bagaruka ishirwa mungiro ry'amategeko.

Twizere ko abo vyega bahamagariwe kwumviriza neza akamo batewe.

Ku vyerekeye inzego,naho abajejwe ubutungane baremerwa n'abanyeporitike,hokwiyumvirwa ko ishirwaho ry'umucamanza ajejwe ishirwa mungiro ry'ibihano yoshobora gufasha kugarukana inguvu z'itegeko hamwe n'uburenganzira mu gutanga ibihano vy'umunyororo mu Burundi.

## *I. INCAMAKE Y'IBIRIMWO*

Irekurwa rya Général Alain Guillaume Bunyoni rigize igice ca mbere.Ni igikorwa nkoramutima gituma hibazwa ibibazo bikomeye,haba ku mategeko shingiro ya Reta yubahiriza amategeko canke ku bwoko bw'intwaro muri poritike mu gihe c'imfata kibanza.

Kuva ashirwa mw'ibohero,ivyo vyateye impari zikomeye kuvyerekeye ikurikizwa ry'amategeko mu vyakozwe n'abarongozi,kuvy'uko urubanza rucibwa mu mategeko hamwe no gukingira umwidegemvyo w'abanyagihugu.Ikiringo c'imbere y'irekurwa ryiwe kiribonekeza neza nk'ibihe aho ugukoresha itegeko n'ugukoresha inguvu vyahanganye.Muri uno mwihwezo,umuhari uharanira agateka ka zina muntu Iteka hamwe na APRODH urasuzuma impari kw'irekurwa rw'uwahoze ari umushikiranganji wa mbere ,Général Bunyoni, ritera ibibazo bikomeye vyerekeye gupinza itegeko n'ubutegetsi.Ku rundi rumwe,uburenganzira burashira ahabona akamaro ko kwubaha amategeko vyerekana ko ugupfunga canke ukurekura bikorwa hakwirikijwe itegeko.Ku rundi ruhande,ivyiyumviro vy'abanyagihugu,kenshi na kenshi bakoreshwa n'uko babona ubutungane canke akarenganyo,bishobora kudahuriza ku ngingo zafashwe n'abarongozi.Ico cuka cerekana ko ishirwa mungiro ry'itegeko ridashobora kugarukira mu majambo gusa,ariko ritegerezwa no kubonwa nk'iridahengamye kandi rikurikiza amategeko ya demokarasi.

Abarorerezi bamwe bamwe baremeza ikoreshwa ry'ubutungane kumvo za poritike,gutyo bikonona icizere ku nzego,hamwe n'ukutigenga k'ubutungane.Umuvuduko ukomeye w'ingingo,uhurijweko n'itumatumanako ridatomoye,biratuma bigora gutandukanya hagati yo kunganisha hamwe n'igitugu c'ubutegetsi.

Irekurwa ry'umushikiranganji wa mbere, Général Alain Guillaume Bunyoni riravyerekana neza. Ryarateye kandi riguma ritera ibibazo bifatiye nk'ugukwirikiza amategeko kw'iyo ngingo,ku barongozi babijejwe kugira bafate ingingo nk'iyo,mbere n'ukwihuti ku murekura uravye uko abandi banyororo bamerewe kumwe bafashwe.

Umwihwezo ugaruka ku migwi itandukanye y'abapfungwa bafise ingorane z'amagara ziraje ishinga hamwe n'abandi bahejeje umunyororo wabo canke bejejwe n'ubutungane,ariko,ku buryo butangaje,baguma mw'ibohero.

Umwihwezo urerekeza kubo vyega batandukanye ibisabwa,mu mtumbero yo guteza imbere uburyo bapfungwamwo mu Burundi, gutunganiriza ku rugero rumwe hamwe no guteza imbere iyubahiriza ry'itegeko kandi kirangizwa n'ugusozera.

## *II. IBISABA*

Kuri ivyo, umuhari Iteka na APRODH basaba ibi bikurikira :

⇒ ***Ku mukuru w'igihugu:***

1. Kumenya no kubahiriza ingingo yo gutandukanya inzego;
2. Kubahiriza ibwirizwa shingiro rya Repuburika y'Uburundi hamwe no gufata kumwe abapfungwa;
3. Kureka kwivanga muvyo ubutungane hamwe no kureka gupfunga bidakwirikije amategeko ;
4. Kutaba intambamyi mw'irekurwa ry'abanyororo bejejwe canke bahejeje umunyororo wabo ;

⇒ ***Ku mushikiranganji w'ubutungane, uburenganzira bwa kiremwa muntu hamwe n'igitsina:***

1. Kurekura abapfungwa bosi bejejwe canke bahejeje umunyororo;
2. Kubahiriza ubwigenge bw'ubucamanza imbere y'ubutegetsi;
3. Gufata kumwe abapfungwa bose ;
4. Kubahiriza amategeko y'ubutungane mu gihugu na mpuzamakungu yashizweko umukono n'u Burundi ;

⇒ ***Ku baca imanza muri sentare hamwe n'abagararira uruhande rwa Reta:***

1. Kubahiriza amategeko y'ubutungane akoreshwa mu Burundi,cane cane ibwirizwa shingiro rya Repuburika y'u Burundi, igitabo mpanavyaha hamwe n'itegeko hamwe n'itegeko ryisungwa mu guhana;
2. Kwigenga ,kudahengama,kunganisha hamwe no gukoresha ubuhinga mu kurangura amabanga yabo;
3. Kwihweza ko amategeko yubahirijwe mu gushira mu ngiro ibihano hamwe n'ingingo zitandukanye z'ubutungane ;

⇒ ***Ku buyobozi bukuru bw' amabohero:***

1. Kurekura abapfungwa bosi bejejwe canke bahejeje umunyororo;
2. Kuronsa ubufasha bw'ubuvuzi abapfungwa;
3. Guha amakuru inzego zibijejwe ku bibera mu mabohero hamwe no gusaba gukura abantu mu mabohero hari ico bafatiyeko.

⇒ ***Ku bumwe bwa buraya hamwe n'abandi bafasha muvyo ubuhinga n'uburyo mu Burundi:***

1. Gukwirikiranira hagufi uko abapfungwa babayeho mu Burundi;

2. Gusaba Reta ivyo itegerezwa mu kubahiriza amategeko y'ubutungane mu Burundi hamwe n'ayandi mategeko mpuzamakungu yashizweko umukono n'uBurundi.

⇒ ***Ku bugenduzi bwo muri Afirika n'ubwo muri ONU:***

1. Kugira umwitwarariko udasanzwe ku kuntu abapfungwa ba poritike bafashwe mu Burundi;

***2.*** Gushiraho ubuhinga bugumaho bwo gukwirikirana amabohero ;

***Ku mugwi w'igihugu wigenga uharanira agateka ka zina muntu mu Burundi (CNIDH):***

1. Kuva mu gacerere kugira hahanwe kudafata abanyororo kumwe;
2. Guharanira umwidegemvyo vyihuta kandi ata gisabwe ku bapfungwa bahejeje umunyororo bakatiwe canke bejejwe;
3. Guharanira ukuvurwa kw'abanyororo bose;
4. Gushira ahabona ukwivanga kw'ubutegetsi mu bikorwa vy'ubutungane bikaba intambamyi mw'irekurwa ry'abanyororo bejejwe canke bahejeje iminyororo yabo;
5. Gukora no gukwiragiza ivyegeranyo vy'umwaka hamwe n'ivya buri gihe vyerekana ubunenge bukabije bwatohojwe mu mabohero atandukanye y'u Burundi.

⇒ ***Ku mashirahamwe adaharanira inyungu za poritike hamwe n'ibimenyesha makuru:***

1. Kongereza utwigoro twabo mu kugenzura amabohero;
2. Gushira ahabona abadafata kumwe abapfungwa hamwe n'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu ryimonogoje ritohozwa mu mabohero yo mu Burundi hamwe no kubaza uruhara rwa Reta.

## III. INTUMBERO Z'ICEGERANYO

**Icegeranyo gifise inumbero zitatatu nyamukuru zikurikira :**

1. Kugira umwihwezo w'uko Général Alain Guillaume Bunyoni ugereranije n'abandi bari mu muce umwesangiye ,cane cane abantu barwaye indwara zikomeye,abapfungwa bejejwe canke bahejeje umunyororo wabo;
2. Gushira ahabona amakosa n'ubusumbasumbane bujanye no gushira mu ngiro ingingo yo kungana imbere y'amategeko hamwe no gukingira agateka k'abantu batwe uburenganzira bwo kwishira no kwizana;
3. Kushiraho ibisabwa kugira abanyororo bafatwe kumwe

## IV. UBUHINGA BWAKORESHEJWE

Ubuhinga bushingiye ku mwihwezo w'amahoza yakozwe hamwe n'amategeko. Bwishimikiza amategeko yo mu gihugu hamwe n'amategeko mpuzamakungu yashizweko umukono mu Burundi.Igice c'amatohoza kigizwe n'ivyegeranyo bitandukanye,ibishirwa ahabona hamwe n'amakuru atari make ajanye n'uko abapfungwa bafashwe mu Burundi. Ukugereanya nakwo kuza imbere mu ntumbero yo kugendura uko bafata abapfungwa bari mu bihe bimwe,kugira ngo hasuzumwe ishirwa mu ngiro y'ingingo y'itegeko hamwe no kungana imbere y'amategeko mu mabohero.

### INTANGAMARARA

Ukwubahiriza itegeko ni ikimenyetso nyamukuru kugira ngo harimburwe uko agateka ka zina munru mu gihugu kifashe. Mu nkingi z'intwaro yubahiriza uburenganzira bw'abanyagihugu harimwo ugutandukanya inzego,bigatumba haba ukwigenga kw'ubutungane.

Umwihwezo uraraba kandi abapfungwa bamwe bamwe barwaye indwara zikomeye kandi batswe uburenganzira bwabo bwo gushikira ubuvuzi no kuronswa ubuvuzi buteye imbere naho ibimenyeshamakuru n'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu babineguye.vyabineguye. Ni co kimwe no ku bapfungwa bagumijwe mu gasho kandi barejejwe canke barahejeje umunyororo wabo.Uyu mwihwezo uzoshira ahabona ikumirwa ryabonetse ku kungene abapfungwa bafatwa mu vyerekeye ishirwa mu ngiro ry'ibihano baciriwe hamwe no gusshikira uburenganzira nshingiro.

## V. INGINGO Z'AMATEGEKO HAMWE NO KUNGANA IMBERE Y'AMATEGEKO

Iki cegeranyo gifise intumbero yo kurimbura ingingo z'amategeko hamwe no kungana imbere y'amategeko turavye ingingo yo kurekura Alain Guillaume Bunyoni hamwe n'abandi banyororo bavundiye mu gasho. Irekurwa ry' Alain-Guillaume Bunyoni riteye amakenga yo mu butungane dufatiye kw'itegeko no kungana imbere y'amategeko. Riraba abapfungwa barwaye indwara zikomeye ku ruhane rumwe hamwe n'abapfungwa bagumijwe mu gasho kandi barejejwe canke barahejeje ibihano vyabo.

## *V.1.IKUMIRWA RIBANDANYA MU MABOHERO*

Irekurwa rya général Alain - Guillaume Bunyoni rifasha kwerekana iryo kumirwa. Yinjiye agasho i Gitega gushika apfunguwe kuwa 11 Ntwarante 2026 ku mvo z'amagara yiwe.Abandi bapfungwa baboneyeho akaryo ko gupfungurwa, nka colonel Michel Kazungu ahejeje kumara imyaka itanu arwaye cane ataburenganzira bwo kwivuza kandi yaciriwe umunyororo w'ubuzima bwiwe bwose kubera kugerageza guhirika ubutegetsi bwa Pierre Nkurunziza muri Rusama 2015 yapfuye muri Ruheshi 2020 bararekuwe ivy'agateganyo ku mvo z'indwara.sNaho Général Alain Guillaume Bunyoni yarekuwe kandi agasubizwa mu vyiwe,abo bagirizwa bimwe baracavundiye mu gasho

Twokwibutsa ko kahise, Gnl Bunyoni yari yavuzwe cane mu vyegeranyo vyakozwe n'amashirahamwe ategamiye Reta ku mabi akomeye y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu gushika aho n'ubu akiri mu bihano vya Reta zunze Ubumwe za Amerika.Igisata ca Reka zunze ubumwe bwa Amerika camutumye urutoke kuba yagiye mu mabi akomeye y'ihonyarwa ry'agateka ka zina muntu hamwe no kurya ibiturire vyinshi. Uko bikurikirana,ibihano vyahawe Général Alain-Guillaume Bunyoni bimeze uku gukurikira :

⇒**Ibihano vy'intango :**Ryabaye irya mbere ahawe ibihano na Reta zunze ubumwe bwa Amerika muri 2015 igihe yari umushikiranganji w'umutekano;

⇒**Ugutezurirwa vy'imfatakibanza:** ivyo bihano vy'ubutunzi vyo muri 2015 vyarakuweho n'ikigega ca Amerika muri Munyonyo 2021;

⇒ **Ikindi gihano:** Inyuma yo kubogozwa mu mabanga y'ubushikiranganji bwa mbere,igisata ca Reta zunze ubumwe carahaye kandi igihano Bunyoni muri Kigarama 2022 hakurikijwe ingingo ya 7031(c)

Vy'ukuri ,iryo domwako urutoke ribandanya, Bunyoni n'abagize umuryango wiwe ni ukuvuga umugore n'abana ntivbashobora kuja muri Reta zunze ubumwe bwa Amerika.

### *V.1.1. IVANGURA MU GUPFUNGWA BIDAKURIKIJE AMATEGEKO*

Intumbero y'iki gice niyo kurimbura ko uko ibihano bishirwa mu ngira bikurikiza amategeko bijanye. Neza na neza,ni ukuraba ko abanyororo bafashwe kumwe mukumara umunyororo baciriwe.

Vyongeye, twomenyesha ko uwa mbere ahonyanga amategeko biva kuri Evariste Ndayishimiye wenyene,ubu ari Umukuru w'igihugu. Mu gihe Reta yubahiriza amategeko irangwa n'ingingo aho "**Ata muntu n'umwe ari hejuru n'amategeko**",mu Burundi Evariste Ndayishimiye akora nk'umuntu ari hejuru y'amategeko . Ku ncuro nyinshi, Evariste Ndayishimiye yaranse ko harekurwa abanyororo bamwe bamwe kandi barejejwe mu gihe abandi bahejeje ibihano vyabo. Ni nk'ivyavuzwe mw'ijambo ryiwe ryavuzwe kuwa 14Munyonyo 2024 mw'ibohero i Muramvya. Muri iryo jambo, Evariste Ndayishimiye yaranse irekurwa ry'ako kagwi k'abanyororo gapfunzwe kubera kari mu mirwi y'abagizi ba nabi.»

Ivya Caporal Bizimana Pierre birerekana neza iryo vangura. Caporal Bizimana Pierre ni umwe mu banyororo bari bacungereye abahatswe gutembagaza ubutegetsi muri 2015. Yarahejeje umunyororo wiwe w'impaka 2 hamwe n' ikindi gihano c'imyaka 2 ku rundi rubanza rujanye no "gukoresha ibimuranga bitarivyo",vyose hamwe vyabaye igihano c'imyaka ine.Uyu munsi,aracavundiye mw'ibohero kandi yarahejeje umunyoror wiwe muguhonyanga ingingo ya 262 y'itegeko 1/09 yo kuwa 11 Rusama 2018 irimwo itegeko mpanavyaha mu Burundi. Ingingo yayavuzwe imbere ivuga ko: « ***uwagirizwa icaha*** *, mu gihe c'urubanza* ***aba apfunzwe kugira bamukingire*** *hanyuma* ***akezwa canke agacibwa ihadabu, aca arekurwa***

***akidegemvya** ,urubanza ruca rushirwa mu ngiro.kiretse afise apfungiwe irindi kosa*».

Kuri ivyo,caporal Bizimana Pierre aracapfunzwe bidakurikije amategeko muri nya cumba c' « abashatse gutembagaza ubutegetsi » kiri i Gitega mu guhonyanga ingingo ya 39 mu gace karyo ka 1 k'ibwirizwa nshingiro ry' Uburundi rimenyesha ko« **Nta muntu n'umwe aegerezwa kwakwa uburenganzira bwo kwidegemvya, kiretse bikurikije amategeko**».

Ivya caporal Bizimana Pierre bisa n'abanyororo benshi b'abarundi bahagaritswe kubera kuja mu migumuko yajana kw'ihirikwa ry'ubutegetsi bwo muri 2015. Nta mupfungwa n'umwe wo muri uyo mugwi yokwitega kurekurwa naho yoba yejejwe canke yahejeje igihano yakatiwe.

Amashirahamwe yigenga hamwe n'ibimenyeshamakuru vyaratabaje incuro nyinshi ko borekurwa ariko atakivamwo. Kuri ivyo hiyongera ko ugufata ibintu n'amazu yabo mu gihe benshi muri bo batswe uburenganzira bwo kwirwanira hamwe no kwemera urubanza rudahengamye.

Naho bari mu mugwi umwe, Général Alain Guillaume Bunyoni yararekuwe ku mvo z'amagara, akarusho kataronse abandi bapfungwa bari mu buhe bimwe vy'ihonyagwa ry'ingingo ya 22 y' ibwirizwa shingiro ry'Uburundi rivuga ko « abanyagihugu bose barangana imbere y'amategeko ».

### *V.1.2. IVANGURA MU VYEREKEYE UBUVUZI*

Mu gihe c'ipfugwa ryiwe, amagara ya Général Alain Guillaume Bunyoni yarabaye nabi nk' abandi banyoro.Inyuma yo kumara igihe gito kuri bitaro Kira Hospital, Général Alain Guillaume Bunyoni yarinjiye ibitaro vyo ku bitaro vy'i Gitega imbere y'uko ajanwa mw'ibohero ry'i Gitega.

Ingingo yo guha umwidegemvyo w'imfatakibanza wa Général Alain Guillaume Bunyoni ishira ahabona umugenzo kurenganya,kuvangura mu vyerekeye ukwo abapfungwa bafatwa mu Burundi, nko mugushikira ubuvuzi. Mu gihe irekurwa rya Alain-Guillaume Bunyoni ryoba ryavuye ku mvo z'uburwayi ,n'abandi bapfungwa bari gushikirwa bameze kumwe.Ivyo ariko ntivyabaye ku bandi kandi ubururero buvyerekana burahari. Ni nka:

⇒**Général Ndayisaba Célestin :**

Uyo mukukuruke apfungiwe mw'ibohero ry'i Muramvya kuva 2018 kandi arwaye umutima udakira,n'udutsi twomumutwe twacise,amapfyigo ageze kure,hamwe n'ukuguru kw'i buryo kwajemwo ibinyanya,ibintuma adashobora gutambuka atifadikije inkoni. Naho umurwayi yagumye yisabira,umuryango wiwe hamwe n'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu ,**bamwankiye kuja kwivuza ku bitaro babishoboye** mu gihe yategereezwa kuronsw amahirwe amwe n'abadi yo kurekurwa kugira ngo aje kwivuza ari muhira.

⇒**Etienne Nzeyimana** :

Etienne Nzeyimana apfungiwe mw'ibohero rikuru rya est Mpimba. Ova muri zone Kibezi y'iyahoze ari komine Mugamba yo mu ntara ya Bururi. Akurikiranwa ku bwicanyi kandi yategerezwa kumara umunyororo w'imyaka 20. Ararwaye cane kuva 2024.

Ntanashobora kuja ku mwanda muto canke mukuru kandi yoba arwaye insogi.Etienne Nzeyimana yoba kandi arwaye amafyigo kandi akeneye kubarwa.

⇒ **Lambert Nduwarugira** :

Lambert Nduwarugira caririwe umunyororo w'imyaka 5. Aradwaye cane gushika aho adagishobora kumenya ivyo akeneye. Haba umwanda muto canke mukuru vyose avyigira ko aho aryamye.Abaforoma bo mw'ibohero rya Mpimba boba bashatse ko abao barwayi 2 (Lambert Nduwimana na Etienne Nzeyimana) borungikwa mu bitaro hanze y'ibohero ariko ntivyakunda. Ingorane nk'izo ni nyinshi .

⇒**Dr Sahabo Christophe** :

Dr Sahabo Christophe yari yashize imitahe mu vyerekeye amagara y'abarundi bose ndetse

n'abanyamahanga biciye mu ku bitaro bikomeye nko ku rwego mpuzamakungu Kira Swiss Clinic. Uwo munyamutahe w'akarorero muri ico gisata c'amagara y'abantu ari mu gasho mu Ruyigi kuva kw'igenekerezo rya 01 Ndamukiza 2022 inyum yo guca w'iperereza ry'Uburundi. Sentare y'iyungurizo ya Muha yemeje ingingo ya Sentare nkuru yari yamuciriye umunyoror w'imyaka 20 hamwe n'imiriyoni 178 y'amahera yama euros inyuma yo gufata ibintu vyiwe. Arwaye cane,Dr Christophe Sahabo yajanywe mu bitaro vya Reta vy'i Bujumbura,aho yari yatanguye kuvurwa ariko kubwo amahirwe make yavuwe iminsi itarenga 2, igihe umurwayi yajanwa « ubutarariye » mu gasho ka Ruyigi. Kuva uwo munsi, Dr Sahabo Christophe nta burenganzira haba bwo kuvurwa haba ubwo kurekurwa kubera indwara nkuko vyakorewe Général Alain Guillaume Bunyoni.

⇒**Butoyi Christian Claude** :

Butoyi Christian Claude yahagaritswe n'igiporisi c'Uburundi muri Nyakanga 2014 nk'uwishe ababikira 3 harimwo Umubikira Soeur Olga Raschietti (w'imyaka 83 ),umubikira Lucia Pulici (w'imyaka 75) n'umubikira Bernadetta Boggian (w'imyaka79 ),bose bo muba misiyonari ba Mariya Sveriyano. Biciwe mu kamenge mu gisagara ca Bujumbura hagati yo kuwa 7 no kuwa 8 Nyakanga 2014. Imyaka 12 inyuma,uwo yikekwako ubwo bwicanyi ntararengutswa imbere y'ubutungane kandi urubanza rwiwe rwoba rutakurikiranywe. Butoyi Christian Claude abayeho nabi cane. Arwaye indwara ikomeye yo mu mutwe gushika yaho yiyamba impuzu rimwe na rrimwe,akaryama hasi,ntamenye amasaha yo gufungura mu gasho kandi abeshejweho n'uburwaneza b'abandi bapfungwa bamuha ico yambara n'ico kurya. Naho amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu yamutabarije ko yorekurwa hamwe n'uko yorungikwa vyihuta mu kigo cagenewe kuvura indwara zo mu mutwe,nta kintu na kimwe cakozwe gushika ubu. Abajijwe kurivyo,umukuru w'igihugu yatanze inyishu zo kwigobotora muguta ishavu ku banyeporitike barondera uburyo bwose bushoboka bwo « gushira n'indwara muri poritike » No mukwongerako « Imyitwarire y'umupfungwa wese irakurikiranwa buri munsi. Niho gutyo,rimwe na rimwe bamwe barekurwa kubera kwigenza neza,n'abandi ,mugihe amagara yabo ameze nabi,barekurwa kubera ko batagishoboye gukora ivyaha. Birategekanywa n'itegeko ».

⇒**Clément Nkurunziza** :

Clément Nkurunziza ni Umurundi yariko asaba ubuhungiro akirukanwa na Reta zunze ubumwe bwa Amerika muri 2018.Uwo munsi, Clement Nkurunziza aracari mu gasho k'i Ngozi mu ntumbero ikomeye y' urubanza rungana kuri bose. Vyose vyatanguye kuwa 22 Ntwarante 2018 igihe Clément Nkurunziza aho yirukanywe muri Reta zunze ubumwe bwa Amerika. « Yahagaritswe kuva yururutse indege ku kibuga c'indege mpuzamakungu ca Bujumbura, hanyuma arungikwa mw'ibohero rya Ngozi. Kuwa 22 Nzero 2020, yararengukijwe imbere ya Sentare nkuru ya Mukaza ifise icicaro i Ngozi. Abashingwamanza biwe ntibemeye urubanza ko rwoburaishwa kuko rudakwije ibisabwa,bamenyesha uko ibintu bimeze hamwe n'ukubura ubushobozi bwa Sentare bwo guca urubanza nkurwo,rusaba mu bisanzwe bizwi ku bushobozi bw'umugwi w'ukuri no Gusubiza hamwe. Naho atarivyo vyari vyitezwe,abacamanza bafashe ingingo yo gukurikirana vyimbitse urubanza naho bari banse ko rubandanya. Umwanzuro w'urubanza wafashwe mu gihe atari ahari kandi nta n'uwumuburanira bwatanze, rwamenyeshejwe ku wa 28 Mukakaro 2020. Kuva ico gihe, nta ntambwe yigeze iterwa, kandi uyumuntu akomeje gufungwa mu buryo budasobanutse,haciye imyaka irenga indwi ahagaritswe.Amagara yiwe ageze habi ariko ubuyobozi bw'ibohero baranse kumuha uruhusha bwo kuja kwa muganga.

Dusubiye kuvya Général Alain Guillaume Bunyoni, twokwibutsa ko turetse ukuja mu bitaro kwiwe gukurikiwe n'irekurwa kugira abandanirize imiti muhira,twobamenesha ko urwo ruhusha

### *V.1.2. IVANGURA MU VYEREKEYE UBUVUZI (Ibikurikira urupapuro 12)*

rwo kuja kwivuza barwimye abandi bari bapfunganywe harimwo n'abo bagirizwa bimwe kandi ku banyororo ibihumbi n'ibihumbi bari mu bibazo bimwe.

Ni ivangura rikorwa mu maso y'abanyororo bija hamwe mu guhonyanga ingingo ya 22 y'ibwirizwa nshingiro ry' Uburundi ritegekanya ko *« abanyagihugu bose barangana imbere y'amategeko ».*

Ibintu nk'ibi bihonyanga kandi ivyanditse mu ngingo ya 13 y'ibwirizwa nshingiro rya Reta y'Uburundi itegekanya ko : « Abarundi bose barangana mu vyo bafitiye uburenganzira no mu gateka. Abanyagihugu bose bafise uburenganzira bumwe kandi bose bafise uburenganzira bumwe bwo gukingirwa n'itegeko ».

## *V.2. INGINGO YO KUREKURA ABAPFUNGWA MU NTUMBERO YO KWIYAMAMAZA*

Ikibazo giteye impari ni ukumenya nimba irekurwa rya Général Alain Guillaume Bunyoni rishingiye kw'itegeko rizwi n'amategeko,rishingiye ku nguvu z'itegeko canke ko ryategetswe n'itegeko ry'inguvu,turavye abandi bapfungwa basavye kwivuza ariko ntibishurwe hamwe n'abandi bapfungwa.

Ataguca hirya no hino ku vyerekeye indongozi zibifise ko ubushobozi mu gufata ingingo nk'iyi,ntibishoboka ko ayo mahirwe atoshikira abandi bari mu ngorane zimwe,cane cane abapfungwa bafise indwara zikomeye,ivyofasha n' imiburiburi kugabanya abapfungwa mu mabohero aho abanyororo bangana 13 000 mu gihe ubushobozi bwo kwakira abanyororo butarenga abapfungwa 4 294 . Ayo makenga nyene arabandanya ku banyororo bagumijwe mw'ibohero kandi barejejwe canke barahejeje umunyororo baciriwe kubwo itegeko ry'umukuru w'igihugu mu gihe irekurwa ryabo ryarigutuma abanyororo bahema mu busho bwarengewe.

Kubwo ivyiumviro bimwe bimwe,irekurwa rya Alain Guillaume Bunyoni ryaje mu ntumbero yo gusubiza hamwe umugambwe CNDD-FDDuri ku butegetsi wiciyemwo imice ku mvo z'ivyuka vyinshi biri indani mu mugambwe hagati y'indongozi z'uwo mugambwe. Kubwo ico ciyumviro nyene,ibihangange vyo mu mugambwe hamwe n'abo bahoze bakorana batahemutse boba bararemereye igisata c'ubutungane hanyuma bategeka kumukura mu gasho. Amasoko amwe amwe aranavuga ukudahuriza ku kwitoza kwa Evariste Ndayishimiye mu matora y'umukuru w' igihugu azoba muri Rusama 2027.

Hamwe vyoba bimeze uko,bisaba ko abandi bapfungwa bari mu bagirizwa ugutembagaza ubutegetsi bafise ingorane zikomeye z'amagara baguma mu mabohero kubera atari abanywanyi bakomeye b'umugambwe CNDD-FDD,vyumvikana ko baguma mu mabohero kubera imvo zijanye n'ivyiyumviro vyabo vya poritike.Ni ikumira riciye kubiri n'ibwirizwa shingiro rya Repuburika y'u Burundi n'ayandi mategeko mpuzamakungu u Burundi bwashizeko umukono.

Ku ruhande rumwe, ikigabane ca 2 akarongo 1 k'amasezerano mpuzamakungu yo ku gateka k'abantu no muri poritike avuga ko *« Ibihugu bigize amasezerano vyiyemeza kubaha n'uguha abantu bose baba ku butaka bwavyo kandi bajejwe uburenganzira barekuriwe muri ano masezerano, ata kuvangura na gato,nk'ibara ry'urukoba,igitsina,ururimi,ukwemera,ivyiyumviro vya poritike canke ikindi ciyumviro,biva ku gihugu canke umubano,ubutunzi,ukuvuka canke ikindi ico arico cose ».*Ikumurwa rirabuzwa kandi n'ingingo ya 2 y'amasezerano ya Afirika y' uburenganzira bw'abantu.

### *VI.2. INGINGO YO KUREKURA ABAPFUNGWA MU NTUMBERO YO KWIYAMAMAZA*

***(Ibikurikira urupapuro 12)***

Ku rundi ruhande,ibwirizwa shingiro rya Repuburika y'uburundi riritategekanya mu gace ka 22,akarongo ka 2 «Nta n'umwe wo gukumirwa kubera iyo ava,ibara ry'urukoba rwiwe,ubwoko bwiwe,igitsina ciwe,ururimi avuga,uko abayeho*, **ukwemera** mu vy'Imana,mu kwi vyiyumviro, canke muri **poritike**, kubera ubumuga agendana bwo kumubiri canke mu mutwe, kubera agendana umugera VIH/SIDA canke iyindi ngwara yose idakira ».*

## *VII. UGUSOZERA*

Mu gusozera, uyu mwihwezo uzoshira ahabona ko intumbero y'uwu mugambiari uwo guterera ku gufata kumwe abapfungwa hamwe no guteza imbere uburenganzira bwabo ata numwe akumiriwe.Nk'inkurikizi,vyarabonetse ko uburongozi bw'Uburundi bukoresha akarenganyo ku bapfungwa,bivanye n'uko begereye canke bategereye ubutegetsi buhari.Ivyo vyaribonekeje kuvyerekeye ukuvugwa no kuronswa ubufasha bw'abahinga mu buvuzi hamwe no gukora umunyororo aho hari abagumizwa mw'ibohero barejejwe n'abandi bagumizwayo barahejeje umunyororo bakatiwe.Vyongeye,vyarabonetse ko iryo kumirwa ryose ryabaye ndanse rihonyanga ibwirizwashingiro rya Repuburika y'Uburundi n'ayandi mategeko mpuzamakungu yashizweko umukono n'uBurundi. Ivyo vyose vyibonekeza vyerekana neza ko u Burundi bwahindutse gose igihugu hakora igikenye aho hokoze inguvu z'itegeko,igihugu gifise ubutungane kenshi na kenshi bukorera ku mategeko y'abantu bafise inguvu za poritike ,izo igiporisi,igisirikare canke amafaranga.